# ISEZERANO RISHASHA

THE HARVEST STARTS / INTRODUCTION.
Acts 1

**Lesson 156**

**ISARURA RIRATANGUYE.**

## Icirwa c'i 156

Ivyakozwwe n'intumwa 1:1

Ijambo ngenderwako : « *Hitana Mariko, umuzane, kuko angirira ikimazi mu gikorwa c'ibango ryanje.* » **II Timoteyo 4:11**

## I. Intangamarara.

Igitabo c'ivyakozwe n'intuma gihindura vyose. Yesu yaraje mw'isi none arasubiye mw'ijuru. Canditswe na Muganga Luka nyene kwandika igitabu c'ubutumwa bwiza bwa Luka.

Ishengero ry'Umwami Yesu riravutse. Uburyo bwo kwemera no gusenga hagati y'isezerano rya kera na rishasha burahindutse biboneka. Abantu bose bemera ari Abayuda canke abitwa abanyamahanga, bahawe agakiza, babatizwa na Mpwemu Yera, batanguye nabo kuvugana n'Imana, ikababakoresha ibimenyetso n'ibitangaza.

## II. Umushinge w'ishengero rya Yesu Kristo.

**Ivyak. 1:8**: « *Ariko muzohabwa ubushobozi Mpwemu Yera niyabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe, i Yerusalemu, i Yudaya, i Samariya no gushitsa ku mpera y'isi.* » Iri ni ijambo Yesu yabwiye abigishwa biwe mu kiyago yariko aragirana na bo, yitegurira gusubira mw'ijuru. Icazanye Yesu mw'isi, kwari kugira havuke ishengero ryiwe, rikoresha isezerano rishasha kuko irya kera ryabonetse ryuzuyemwo amategeko agoye atabashikanye ku gakiza nk'uko Imana yavyipfuza.

Yesu amaze kwigisha intumwa ziwe, yababwiye iri jambo mu ntumbero yo kubategura ku gikorwa bagiye gukora, inyuma yaho azoba yasubiye mw'ijuru. Intumwa zaritanguje i Yerusaremu, i yudaya, i Samaliya zihindura abigishwa nabo bahindura abandi, nabo bahindura abandi, kugeze aho ishengero rigeze uyu musi.

**III. Umwanditsi Luka.**
Uyu mwanditsi Luka ntiyari mu ntumwa 12 za Yesu, ariko yari yarakurikiranye cane ubuzima bwa Yesu n'ubwintumwa. Yabaye umwigishwa wa Yesu akorana na Pawulo igikorwa c'Imana. **Kolosayi 4 :14** « *Luka umuganga akundwa, na Dema barabatasha*. » Naho muri ico gihe bahura n'intambara zikomeye, yabaye umwizigirwa ntiyasubira inyuma gushika ku mpwemu ya nyuma. **Soma II Timoteyo 4:10-11**

Luka umwanditsi mwiza, ntiyishira hejuru. Bibonekera aho mu bitabo vyiwe vyose atigeze ashiramwo izna ryiwe.

## IV. Teyofilo ni inde.

Teyofile siryo zina ryiwe bwite. Luka yafatanije amazina abiri. "Theos," canke "Imana," na "philos," canke "Rukundo rw'abavukanyi."  Amwita « Mukundwa w'Imana » Luka uwamaze kwizera Yesu, akakira agakiza, yita abizera Yesu bose Bakundwa b'Imana na benedata.
Na Yesu niko yavuze. **Yohana 15:15** « *Sinkibita abashumba, kuko umushumba atamenya ico shebuja akora ; ariko mwebwe nabise abakunzi, kuko ivyo numvanye Data vyose nabibashikirije* » abakiriye Yesu bose, Ijuru ribahindura amazina.

Nta nkuru zizwi neza kuri uyu Teyofile uretse ivyerekanwa n'ubushakashatsi. Luka amwandikira amwita nyakubahwa. Ni ivyerekana ko yari umutware w'Umuroma yakiriye inyigisho za Yesu, akazizera. Ikindi ni uko ariwe yafashije Luka mu guterera amahera mu kwandika ibi gitabo.

**V. Kubera iki iki gitabo canditswe ?**

1. kwerekana ivuka ry'ishengero rya Yesu Kristo, ntivyari vyoroshe kuko n'i Yerusalemu haganzwa n'abami b'i Roma bari basanzwe basenga ibigirwamana.
2. Kwerekana ikwiragira ry'ishengero rya Yesu Kristo : Ishengero ryakwiragiye isi yose, rihashikanwe n'intumwa zari zabanye na Yesu, zikibonera ipfa n'izuka ryiwe.
3. Iki gitabo canditswe ngo kibe ikiraro gihuza ubutumwa bwiza bw'intumwa n'ivyete vyanditswe n'abani. Ikindi, ni uko ari ikiraro gihuza ubuzima bwa Kristo n'ubuzima bw'abemera b'ishengero riwe.

Kuva isi ikiremwa, Imana yaremye umuntu Imukunda ariko akora icaha co kutayumvira, aba abaye umunyavyaha. Kuva ico ghe Imana yamye ishaka kubaka imigenderanire hagati yayo n'umuntu. Kubera kameremere y'icaha iba mu muntu, iyo migenderanire yaragoranye cane. Yatoranije Abrahamu ngo amubere sekuru w'ihanga rinini rizovamwo abamwubaha. Asambanya incoreke, ivamwo ihanga rihanze ubwoko bw'Uhoraho kugeza ubu.

Mu gihe c'Abisirayeli, amategeko ntiyashikanye umuntu kubugororortsi. Niho Imana yasezerana kurungika Yesu Kristo kugira aze mw'isi acungure umuntu, yubake iyoimigenderanire.
Hagati  y'Uhoraho n'umuntu. Amaze kuza mw'isi, yatoranije intumwa 12, arabigisha, arabatuma mw'isi yose. Igitabo c'ivyakozwe n'intumwa nico cahishuriye intumwa umugambi w'Imana ku bantu kuko ivyo Yesu yababwira ntibabitahura neza.

## VI. Gushira mu ngiro

Abiheshejwe na Mpwemu w'Imana, Luka yandikira Teyofilo. Natwe aratwandikiye.

●Luka umuganga mu gihugu w'í Antiyokiya, areka ivyo yize ashira umutima mu kumenya no kumenyesha abandi ibijanye n'inkuru za Yesu Kristo. Yabaye imugendanyi mwiza wa Pawulo. Ntiyagira umugore canke abana. ku myaka 84, asinzira akiri umwizigirwa.Nta ruhombo yabibonyemwo. None wewe ubona uhagaze gute ? *Hitana Mariko, umuzane, kuko angirira ikimazi mu gikorwa c'ibango ryanje.* » Ubona uri uwikimazi mu murimo wa Data ca nke mu babanyi ?

●Teyofile, umutware akomeye mu gihugu kiri musi y'intwaro y'Abaroma ; yemera gushira umutima ku kumenya no gutahura ivy'iyi nkuru y'agakiza, agera ku ntambuko, aho yitwa umukundwa w'Umwami Imana. ikibazo ni ca kindi. Uhagaze gute mu ngeso no mu gikorwa

**ON THE EDGE OF THEIR SEATS!**
Acts 1 :1-5
**Lesson 157**

ca Data. Raba ko utabaye nka Dema yataye abagenzi ku murimo. Woshobora guhaguruka ugasenga, Yesu ni umwizigirwa, aragukomeza, aguhezagire ubu nyene.

**KU MBIGA Z'INTEBE ZABO**

# Icirwa c'i 157

**Ivyakozwe n'intumwa 1:1-5**

Ijambo ngenderwako : « *Nuko rero umuntu wese iyo ari muri Kristo, aba abaye icaremwe gishasha, ivya kera biba bihise, vyose biba bibaye bishasha*. » **II Korinto 5 :17**

## I. Ivyo igitabo c'ivyakozwe n'intumwa kitavuga

1.Iki gitabo ntikivuga ubuzima bwa Yesu Kristo akiri kumwe n'intumwa ; Kiravuga ubuzima intumwa babayemwo Umwami Yesu amaze gusubira mw'ijuru. Ubuzima bw'urukundo nk'uko yari yabibategetse. **Yohana 13:35** « *Nimwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko muri abigishwa banje.* »
Inkingi y'iri shengero ryari rigiye gutangura mw'isi, ni **urukundo**. Iri jambo, ntaho ryanditse muri iki gitabo. Ariko, rwaba mu mitima yabo, bikabonekera mu bikorwa n'abigishwa bashasha bakabitangarira. Urukundo si mu majambo. Nirwo rwubaka urugo, ababanye bakaba amahoro. Ingo zibaye mu rukundo, abizera bashasha barinjira mw'ishengero.

2. Iki gitabo ntigitera intege imigenzo y'ishengero abizera bategerezwa gukurikiza. Luka umwanditsi avuga afoboye ibikenewe nk'uko Petero yabivuze. **Ivyak 2:38** «*Ni mwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ariyo Mpwemu Yera.* » Iri ryari ijambo ribagora gutahura kuko bari basanzwe bazi imigenzo ikurikizwa kugira umuntu ahabwe imbabazi. (Ibimazi, ibicaniro, abaherezi…) Pawulo we yabwiye umucunzi w'ibohero mu gice ca **16:31** ngo « *Izere Umwami Yesu, urakira mwe n'abo mu nzu yawe.* » nta kindi cari gikenewe.

Hari aho vyasavye Pawulo gukeba Timoteyo, kwari kugira ngo Yemerwe n'abayuda, ariko agakiza ko yari yakakiriye. Aha imigenzo mu kwemera yari isigaye ku mbiga, ukwizera kuriko gufata icicaro.

## II. Intambamyi mwitangura ry'ishengero.

Ishengero rya mbere ryahura n'intambamyi zo kubura uburyo, impinduka, kudatahurwa, kurwanywa, n'ibindi. Uturorero :
•**Ivyak. 17:6** « *Abateye isi yose umugumuko bashitse n'ino* »
• **Ivyak. 5:28** « *Mbega ntitwabihanije cane kutigisha muri rya zina ? None raba mwujuje Yerusalemu inyigisho zanyu. Ico murondera ni ukudushirako amaraso ya wa muntu* »

Niwibaze igihe woba uriko urakora igikorwa c'Imana, ukagirizwa ivyaha biremereye nk'ibi. Abadafise Mpwemu Yera boca babiheba.

## III. Ikwiragira ry'ibikorwa vy'intumwa.

Yerusalemu yari igisagara cishe abavugishwa n'Imana bo mu gihe c'isezerano rya kera bensho. Ntivyoroheye intumwa kuhatangura ivugabutumwa. Bashoboye kugera ku ntumbero kuko bumviye itegeko ry'Umwami Yesu ryo kurindirira i Yerusalemu. Mbega baguma barindiriye iki ? Soma umurongo wa 4 na 5.
Uyu Mpwemu Yera niwe yabaye urufunguzo rw'ishengero tubona uyu musi. Niwe yashoboje intumwa gukorera ahantu hagoye, ashoboza n'abigishwa bavutse hanyuma kurinduka. Barashoboye guhagarara bashikamye mu gihe abafarisayo babasaba guhagarika kuvuga ijambo ry'Imana. **Ivyak. 5:29** « *Maze Petero n'intumwa barabishura bati : Igikwiye ni kumvira Imana kuyirutisha abantu* » bubahirije igikorwa bahawe n'Umwami Yesu Kristo.

''

Ibitabo vya kahise biravuga ko igihe Yesu yabambwa, abandi bantu bashika 3000 bishwe n'abaroma. Iki nico catumye intumwa za Yesu biyugaranira mu nzu yo hejuru mu kurindira isezerano. Iri sezerano ryabonetse kubera ugupfa n'ukuzuka kwa Yesu Kristo.

## IV. Iyo hataba kuzuka, hakurikira iki ?

•Umuntu ntiyohariwe. Yopfanye ivyoha, akaba uwo kubana na Satani n'abadayimoni.
• Abasenga bobaye abemera ibigirwamana iyo bava bakagera.
•Ab'isi bobayeho batagira ivyizigiro. Bose boba bafise ubwoba bw'urupfu.
• Kubakiriho bose, ibikorwa vyose (Business), bobikorana n'abadayimoni.
Urashobora kudondagura ibindi wiyumvira kuko ni vyinshi. Nico gituma amashengero akwiye guha icubahiro Umwami Yesu Kristo.

## V. Gushira mu ngiro

Ishengero ry'Imana ryabayeho rigira ico rimariye abariho no kugeza uyu musi kubera intumwa bemeye itegeko bahawe n'Umwami ryo KURINDIRIRA aho yababwiye babona guhabwa ubushobozi bwa Mpwemu Yera. Intwaro y'ivyagezwe yavuye ku ntebe, abantu bose bahabwa agakiza no kwizera Umwami Yesu.

**THE PROMISE**
Acts 1:6-8
# Lesson 158

Isezerano rikurikira ritubwira ngo : « *Mwame mwiteguye, ubwami bw'Imana buri hafi. Ehe arazanana n'ibicu kandi amaso yose azomwibonera* » Raba ko ukirindiroye aho yakweretse, uri icaremwe gishasha, usanze wicaye ku mbiga canke warakorotse, urahaguruka usenge, agusubize ku ntebe y'amasezerano.

## ISEZERANO
# Icirwa c'i 158
**Ivyakozwe n'intumwa 1:6-8**
Ijambo ngenderwak : «*Maze abungura ubwenge ngo batahure ivyanditswe* » **Luka 24:45**

## I. Intangamarara
Umuperezida w'isosiyete yitwa CEO yafashe urugendo atawe abwiye mubakozi. Ashitse aca yandika ikete arayibarungikira abereka uko ibikorwa bikwiye gukurikizwa. Nyuma y'amezi menshi agarutse, asanga ikigo bagihinduye ikibaza co gukiniramwo udukino two kwinwzereza. Arababara, ashavuye, arababaza ati : « ibi ni ibiki ?, ntimwaronse ikete nanditse ? »Baramwishura bati : « Twarayironse chefu, kandi twarakoze imirwi yo kuyigishanya, bamwe ndetse babagutse bararifashe ku mutwe mu mutwe, gomba ubabaze wumve ko batayikubwira batarinze gusoma. Kuko twumvira, twarakoresheje imipita yo kwambara twandikako amajambo makuku makuru ari muri ryo. Bati, mbega ikete riryoshe ! »

Arongera arababaza ati : « None mwarakoze ivyo nasababa ko mukora ? Nabo bati : ohhh Bosi, dukora !!!, oya, twaravyize, turabiboroka, twongera turavyandika ahabona. » Erekena ingene uyu mukuru wa isosiyete yavyifashemo.

Uku niko amashengero n'abanyeshengero bamwe bo muri iki gihe bameze. Barafise ama programme bakurikiza, imigenzo, ariko kuko badafise Mpwemu Yera ntibashire mu ngiro ico Umwami yabasavye gukora. Kubw'ivyo, Umucunguzi Yesu Kristo, abwira intumwa ko azobarungikira ubushobozi. Mpwemu Yera (Isezerano) Umur**. wa 8.** Igihambaye ku mwigishwa wa Kristo, si intambuko ugezeko mu kwiga ivyirwa vya bibiliya, ahubwo ni intambuko ugezeko mu kubaho ubuzima burimwo Yesu Kristo bivanye n'ivyo wize mu vyirwa vya nibiliya.

## II. Ikibazo kitari kitari kibi cane.

**Umur wa 6**: { Nuko bakoranye baramubaza bati : « *Mwami iki gihe ni co ugira ugarukana ubwami bwa Isirayeli ?*} Iki gihe Yesu ntiyari bwasubire mw' ijuru ; bari bakoraniye mu cumba. Umurongo w' i 9 niwo werekana ko yaciye aduga mw' ijuru ahejeje kuvugana na bo. Adugana ku musozi Elayono ari naho azoshikira agarutse avuye mw' ijuru. **Zekariya 14:4a**
« *Kuri uwo musi azohagarika ibirenge ku musozi Elayono werekeye i Yerusalemu ahahera mu buseruko*. »

Intumwa bamubajije iki  kibazo bisunze ivy' abavugishwa bavuga ko Imana izobatara amagorwa batewe n'intwaro  y' Abaroma.
Yesu ntiyabishuye nabi kuko azi ugutahura kwabo aho kugera kuko batarahabwa Mpwemu Yera. Inyishu ya Yesu ntiyakomeretsa umutima.  « *Si ivyanyu kumenya imisi canke ibihe Data yashinze n'ububasha  bwiwe wenyene* » Umuntu arashobora kumenya kahise kiwe canke ivyo ariko arakora ubwo nyene ; ariko ntashobora kumenya ivyomubako mu munota uri imbere. Naho vyoba ari ivyavugishijwe. Ni ububasha bwa Data wenyene. Nico gituma Umwami Yesu yasavye abamwizera kwama biteguye kuko uyu musi wo gushinga ingoma yiwe uzoshika ata wubizi.

## III. Ubushobozi!

Ariko muzohabwa…. Aka kajambo ariko, karerekana ko hari ico batemerewe (Kumenya umusi n'ibihe) hari ikindi bemerewe. (Guhabwa ububasha). Petero yoba yaribajije ati : Ububasha ! ivyo ni ibiki ? » Mu gihe wobaye ufise ubwo bubasha, wokoze ibikurikira kuri uyu murongo, kugira isi uzoyisigire iragi ry' ingirakamaro.

Martin Luter yavuze ati : «  Imana yaremye isi n'ijuru ibikuye mu busa, natwe turashobora kuba ab'ingirakimazi mu guhindura isi n'abayibamwo» umuyagankuba ubonekera ku bikorwa vyawo. Na Mpwemu Yera ni uko. Ntibikenewe ko turinda gusenga, kwinginga, kurira ngo duhabwe Mpwemu Yera. Yarahawe abizeye Yesu bose, igikenewe ni guha ubuzimwa bwawe Yesu, ukayoborwa n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera.

## IV. Muzoba ivyabona.

Icabona gitandukanye n'umucamanza canke umu OPJ. Icabona yemeza ivyo azi neza adakekeranya kubabimubajije. Abizera Yesu bariho ngo bemeze ab'isi urukundo akundana, ugutabara akorera abamwizeye, ingene aharira umunyavyaha,… kuva mu gihe c'intumwa gushika ubu, abamwizeye baracamushingira intahe. Mu gihe woba ubayeho, utariko ushingira intahe Yesu ; woba ugereranijwe n'uwushaka ko izina rya Yesu Kristo ryozogera igihe rikibagiranwa..

## V. Gushira mu ngiro.

Umwanditsi **Aristide** w'Umugiriki ntiyari umukristo, yanditse ati. « Abo bantu babakiristo, barahindura abandi kuba abakiristo kandi bakabemera. Bakoresha urukundo. Iyo bahindutse ; bacika abanyamahoro, abatekereje. Iyo babishe nabi, amaraso yabo aba imbuto zivyara abenshi gusumba ; bararwara, ntibitume baja mu bapfumu, ubutuzi bwo kw'isi, ntibutuma bamuheba..   Ivyo vyatumye iri zina bemera riba rurangiranwa mw'isi no kugeza ubu. Ariko, abanyapolitiike babaye ibihangange kw'isi mu ntambara no mu butunzi, bakagera n'aho abantu babatinya kubera inkota zabo ; iyo bapfuye baribagiranwa. »

Ibi vyashobotse kubera ububasha bwahawe abamwizera, bashoboye gusoma no kugendera kuvyanditswe vyera. Abatabufise, ntibazoshobora guhagarara ngo bemangire Yesu mu gihe ishengero rizoba ririko rirahamwa.

Urakwiye kuraba ko utabaye nka babakozi bo mw'isosiyete CEO.  Mugihe wosanga ata bushobozi wifitiye, urahagurtuka usabe Umwami Imana akongere gutahura ivyanditswe ; aguhe n'ububasha bwo kunesha isi, umubiri na Satani.

LAST WORDS
Acts 1:6-14
**Lesson 159**

**AMAJAMBO YA NYUMA**
# Icirwa c'i 159
**Ivyakozwe n'intumwa 1:6-14**

Ijambo ngenderwako : « *Ivyo mwize, ivyo mwakiriye, ivyo mwumvise, ivyo mwambonanye, mube arivyo mukora ; ni ho Imana nyena amahoro izobana namwe* » **Abo i Filipi 4 :9**

## I. Intangamarara.

Umwami Yesu Kristo ahejeje ibiganiro birimwo n'isezerano n'intumwa ziwe aho bari bahagaze ku musozi Elayono, aduzwa babona. Bagihanze amaso mw'ijuru, abagabo babiri barababonekera ; bababwira ko uko bamubonye aduzwa ariko azogaruka. Kuva iyo saha kugeza ubu, ntawurasubira kumubona n'amaso y'umubiri. Azosubira kuboneka aho azoba aje gutora ishengero yakoye amaraso yiwe ngo arijane muri ca kibanza ciza mw'ijuru.

## II. Isezerano !

Yesu yabwiye intumwa ziwe ko badakwiye kwitwararika ivy'imisi n'ibihe vyo gushinga ingoma yiwe, abasaba kuguma mu gisagara gushika isezerano rishitse. Kuva uyu Mpwemu Yera atangwa ku ntumwa, ntibisaba ko uwakijijwe arindira ko imbeya z'umurira zimwaka ku mutwe kugira ngo atangure gushingira abandi intahe kugira ngo bamumenye bamwakire. Ubu bubasha nibwo butuma uwizeye yuzuza ivyo Yesu yigishije : Kuba umuco n'umunyu w'isi ; bagashobora no kudahemurikira Umwami Yesu naho boba bageze mu bihe bibakomereye.

## III. Inzira zibiri mu gukorera Imana nk'icabona.

1. Mu buzima ubayemwo ;
2. Mu majambo uvuga.

●Woshobora kubaza uti : Mbega ni iyahe nzira ikenewe cane kuruta iyindi ? Kubaza ico kibazo ni nko kubaza umudereva w'indege ngo mbega ko indege ifise amababa abiri, ni iryahe ry'ingirakamaro cane ? Yose arakenewe. Mu gihe uriko usohora amajambo mu kanwa, utegerezwa kugaba kuko hari ivyo wovuga, ukaba : utsitaje mweneso, ukojeje isoni izina rya Yesu, wimaramaje ubwawe, utukishije ishengero, n'ibindi. Muri ico gihe, Ya ntahe yawe iba itosekaye.

●Uburyo ubayeho, ni intahe ikomeye. Mu gihe woba ugitera amatati mu rugo rwawe, canke uri umuntu mubi mu babanyi bawe, mu kazi ukora, mw'ishengero ; woba ufise intahe mbi. Ntacotuma abandi bifuza gukurikira Yesu kubwa we. Ibi bikunda mu gihe ufise bwa bubasha Yesu yatanga ku bamwizeye bose,

## IV. Uburyo bwo gushika ku ntumbero.

Ngiri jambo rya nyuma Umwami Yesu yavuganye n'abigishwa amaso mu yandi imbere yuko aduzwa mw'ijuru : **Matayo 28:19-20** « *Nuko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa mubabatize mw'izina rya Dana wa twese, n'iryo Umwana, n'irya Mpwemu Yera.*

*Mubigishe kwitondera ivyo nabageze, umve ndi kumwe namwe imisi yose, gushika ku muhero w'isi.* » Guhindura abigishwa, niyo ntumbero n'umugambi w'Imana ku bantu. Ninde akwiye kugenda ? None twobishikako gute ? **Ivyak. 1:14** « *Abo bose basenga badahumeka n'umutima uhuye…* »

Iki gikorwa co gusenga badahumeka, bahuje umutima, nico catumye intumwa zishikana ishengero rya Yesu Kristo aho rigeze uyu musi. Kandi ni heza. Mu gihe umurwi w'abantu canke mu rugo boba bavuga ko basenga ariko hari ivyo badahurijeko, nta mugambi n'umwe woshika ku ntumbero. Iterembere rirabura kuko uwuronse akaryo, ariba uwundi canke akamuta mu mutego. Ariko mu gihe basenga bahuje umutima, Umwami Yesu yavuze ko azoca aza akabana na bo kugeza agarutse canke bapfuye.

## V. Gushira mu ngiro

Amashengero n'ingo z'abizera birasaba ko bagaruka ku birenge vy'abatubanjirije. Muri iki gihe, ihindagurika riboneka mu mashengero no mu ngo kubera ivyitwa amajambere, ntibizonunuza ukwizera twabwiwe n'intumwa. Bose bazoba ari abishingira intahe Yesu mu guhindura abigishwa.

Pawulo niwe yavuze ati : *Ivyo mwize, ivyo mwakiriye, ivyo mwumvise, ivyo mwambonanye, mube arivyo mukora ; ni ho Imana nyena amahoro izobana namwe*.

Niba wipfuza kubana n'Umwami w'amahoro, ni ukore ivyo wize n'ivyo wumvanye abakubanjirije mu gusenga ubudahumeka no guhuza umutima n'abo bose bikenewe. Isezerano Yesu yatanze ni iryawe nawe. Wame wibuka ko uko bamubonye aduga ; ariko azogaruka. Wumva azogusangana ubushobozi ? Niba wumva wumva hari ico ugihajije, wohaguruka ugasernga.

**THROWING DICE . . . DRAWING STRAW**
Acts 1:15-26
# Lesson 160

## KUREKA UBUSORO,… UGAHURURA IBIHUNDA

# Icirwa c'i 160

**Ivyakozwe n'intumwa 1:15-26**

Ijambo ngenderwako : « *Ariko iyisesa imitima irazi ivyo Mpwemu yiyumvira, kuko uko Imana igomba ariko Mpwemu asengera abera*. » Abaroma 8 :27

**I. Intangamarara.**
Abigishwa ba Yesu bose cumi n'umwe bari kumwe n'abandi bagore na Mariya nyina wa Yesu, na benenyina ba Yesu mu nzu yo hejuru bose bashika 120. Niho Petero yahaguruka akababwira ayo majambo Luka yanditse. Yagomba ko basubiriza Yuda ; uwagurishije Yesu ; bikamuviramwo kwiyahura. **Umur wa 25** *« Ngo asubire mu gishingo ca Yuda muri iki gikorwa co kuba intumwa, ivyo yataye akaja ahiwe* »

## II. Uguhitamwo kwa Yuda.

Yuda yari yatorewe kuba intumwa ya Yesu n'abandi 11. Yabanye nabo kandi ntaho Yesu yamufashe nabi mu gikorwa. Ndetse yari yamuhaye igikorwa co kubika amahera bakoresha. Muri iki gihe, abari bamaze kwizera Yesu, bari benshi. Bamwe bararaba abigiswa biwe, bakipfuza kuba bobaye muri bo.

Yuda we, akengera ubuntu yagiriwe, amaze kumva Yesu avuga ko abuca asubira kwa se ; abona ko atakintu azohava ngo amukureko. Niko guhitamwo kumudandaza ku mahera mirongo itatu. Ntivyamuhiriye kuko vyamuviriyemwo kubura ubugingo. Yaguye yubamye, inda iraturika, amara araseseka. Nta vyizigiro vyub uzima buhoraho. Petero yavuze ngo : *Yuda ni uwa Gihenomu kandi na Gihenomu ni iya Yuda*.

Si vyiza kuba mu rusengero kubera ivyo witeze uzoharonkera, uretse ingabire y'ubugingo budashira ibonerwa muri Yesu. Ni kuki tuza guhimbaza Imana, tukayikorera n'inguvu canke ubutunzi bwacu ? Ni uko ari Data kandi adutunga.

## III. Inzira nziza mu guhitamwo.

Ikibanza Yuda yarimwo cari iciteka imbere y'abantu n'imbere y'Imana. Bahagaritse abagabo babiri : Yusito na Matiya. Barasenga bati : *« Mana ni wewe uzi imitima y'abantu bose, none werekane uwo utoranije muri aba bompi.* » ijambo nk'iri, Petero yarongeye kurivuga mu gice ca **15:8** « *Kandi Imana izi imitima...* »

Ibi Petero yabitahuye kuva igihe ahagaze yemye akavuga ngo : « *Naho abandi bokuvako jewe ndapfana nawe* » Yesu akamubwira ko inkoko itarabika azoba amaze kumwihakana gatatu. Bimubako. Kubera uku gusenga, Imana yacaguye Matiya asubirira Yuda.

Abantu benshi barahusha amahirwe kubera guhitamwo nabi uwo bazobana. Ntibemera gusengera ngo bahe ikibanza Imana ibahitiremwo uwo bazobana. Bisunga ivyo babona inyuma (ubwiza canke ubutunzi) bakaduka baca imigani ngo uwuhusha itunga ahusha umugore. Mbe ntamugore yahushije itunga kubera umugabo mubi ? Mugihe ubana n'uwo wihitiyemwo, bigusaba kwemera ivyo vyose bikubako, ntugume uratera uruhagarara ababanyi n'ishengero. Uburyo bwiza bwo guhitamwo uwo kubana, gukorana imigambi, abarongozi b'ishengero ni gusenga ukarindira inyishu y'Imana kuko ariyo izi umutima w'umwe wese. Azi nikikubereye.

Ico uzokora udasenze, uzisanga uri mu rukino rw'ubusoro no guhurura ibihunda. ivyo ntaco bishikako atari gutuntuza umutima.

## IV. Twotahura gute, uguhitamwo kw'Imana ku buzima bwacu ?

Soma **II Timoteyo 3:16-17**. Ijambo ry'Imana niryo ritwereka uguhitamwo kwayo ku mutwaro twasengeye. Si mu ndoto, kumva amajwi canke ivyo kwerekwa. Ibi, abenshi barabizimiriramwo kuko haraho biza bivanye n'ibiri mu mutima w'umuntu. Abandi babigize urudandaza mu guhenda abo imitima ihuha.

Ikindi kikwereka uguhitamwo kw'Imana kubuzima bwawe, ni uko uzosanga bitakworohera kwemera ico iguhitiyemwo. Ubrorero ni Gidiyoni aho yatumwa kurwanya abamidiyani ; n'umugani w'umutunzi n'umworo Lazaro. Luka 16 :19. Ni murabe abantu uko bangana bumvise amajambo y'Imana ; bakabona n'ibitangaza intumwa bakora ariko bakanka kwihana. Kamere y'umuntu yishira imbere, ikarwanywa ugushaka kw'Imana.

Ikibazo si uko tudatahura ico Imana itugombaka. Ariko ni uko tubona bitahuye n'uko ubwacu tubishaka. Hari imeza y'uguhitamwo kw'Imana n'iyindi y'uguhitamwo kwa nje.

## V. Gushira mu ngiro.

Umwana yabwiye se ati : « Data nahisemwo kuba umu pilote kandi naravyize ndetse ndabikunda. » se aca amujana mu kabare kiwe ati : « Igikorwa cawe ni ukuzohora undandariza izi nzoga » Urwo rudandaza rwarahomvye. Kuki ? Nico gituma Imana yarekeye umuntu uburenganzira bwo kwihitiramwo gukora uko avyishakiye kuko ingaruka z'iyo ngingo yafashe ariwe izobako.

Yuda yahisemwo gutakaza ikibanza c'icubahiro co kuba intumwa y'Umwami Yesu, arivyo vyotumye aronka ubugingo budashira. Abikaba no kurondera ubutunzi bw'isi mu nzira mbi. Ariyahura, arasubirizwa. Ubu ni uwa Gihonomu nayo niyiwe. Raba uguhitamwo kwawe inzira kujana. Wame wibuka ko Imana izi umutima wawe ataco woyibesha. Raba ko utari mu rukino rw'ubusoro canke guhurura ibihunda.

Niba ubona ivyo urimwo bizotuma utakaza amahirwe wagiriwe mu gakiza; haguruka usenge uvuga uti : Mwami Yesu, ntihabeho ivyo ngoma ariko habeho ivyo ungombako.